**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°13 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 17 RUHUHUMA 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 17 Ruhuhuma 2021, i Bujumbura, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Nyakwubahwa Umushikiranganji wa Mbere ngo ashikirize ivyavuye mu nama itegura iyo nama nshikiranganji yarongoye kw'igenekerezo rya 12 Ruhuhuma 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde.

Umushikiranganji wa Mbere ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi:

1. **Integuro y'ibwirizwa rigenga imitahe mu Burundi** yashikirijwe n'Ibiro vy'Umukuru w'Igihugu.

Mu mwiherero w'abagize Reta wabereye i Bukirasazi muri Ndamukiza 2017, kimwe mu vyasabwe kwari ugusubiramwo amategeko agenga ivy'amatagisi n'amakori kugirango abanyamitahe boroherezwe kuruta.
Nico gituma ibwirizwa rigenga imitahe mu Burundi ryaciye risubirwamwo, integuro yaryo irihwezwa n'aberwa n'ibijanye n'amakori n'amatagisi bose mu mwiherero wabahuje muri Mukakaro 2017.

Iyi nteguro rero yaratererewe cane.

Nka bishasha twovuga, ugereranije n'ibwirizwa rihari ubu ni nk'ibi bikurikira:
- Ihinduka ry'izina ry'igisata kijewe guteza imbere ishingwa ry'imitahe kikitwa **Igisata kijejwe iterambere mu Burundi**
- Uruhara rw'Igisata kijejwe iterambere mu Burundi rwarakomejwe kuko nico conyene kizoba kiraba ibijanye n'ishingwa ry'imitahe

- Intumbero y'ibwirizwa yahindutse kuko hongeweko kworohereza abanyamitahe no guteza imbere ishorwa ry'ibidandazwa hanze y'igihugu
- Kworohereza abanyamitahe bo mu murwi w'urwaruka, abakenyezi n'abarundi baba hanze y'igihugu
- Kwerekana ibisata vyozanwamwo imitahe be n'urugero rw'umutahe atawoja munsi yarwo
- Kwerekana neza ingene ivyinjizwa bitarihishijwe amakori n'amatagisi bikurikiranwa, mu gutanga utwo turusho hafatiwe ku ntambwe umunyamutahe agejejeko
- Kwerekana neza uturusho abanyamitahe barekuriwe
- Kwerekana ivyo abanyamitahe basabwa
- Gutomora neza ibihano ku banyamitahe batubahirije ivyo amategeko asaba
- Gutegekanya iyungururizo mu gihe umunyamutahe adashimishijwe n'ingingo Igisata kijejwe iterambere mu Burundi camufatiye

Mu gihe inama nshikiranganji yariko irihweza iyo nteguro, hashikirijwe ibi bikurikira:

- ➢ Harashobora kuba ukwinjiranamwo kw'iryo bwirizwa n'ayandi mategeko asanzwe ategekanya utundi turusho
- ➢ Haragaragara ukwinjiranamwo kw'imirimo y'ico gisata n'imirimo y'ubushikiranganji bumwe bumwe nk'ubujejwe ubudandaji, ubujejwe ikigega ca Reta n'ubujejwe imigenderanire y'Uburundi n'ayandi makungu
- ➢ Ico kigo cotanga uturusho, kigakurikirana ko twakorershejwe ico twasabiwe, ariko ibijanye n'ugushorera hanze y'igihugu birabwa n'izindi nzego
- ➢ Ku bijanye n'umutahe usabwa, ku banyamahanga woba mu mahera mvamahanga ariko ku Barundi ukaba mu mahera y'amarundi

Inyuma y'izo ntererano kuri iyo nteguro, inama nshikiranganji yarayemeje, ariko ikazotosorwa hisunzwe ivyo vyashikirijwe.

2. **Integuro y'itegeko rishiraho rikongera rigatunganya umugambi ufasha urwaruka rwize ariko rutagira akazi kwiteza imbere mu vy'ubutunzi,** yashikirijwe n'Ibiro vy'Umukuru w'Igihugu

Uburundi co kimwe n'ibindi bihugu vyo muri Afrika, burangwa n'igwirirana ry'abantu ku rugero runini, ibice mirongo itandatu kw'ijana (60%) bikaba bigizwe n'urwaruka.

Akazi ntikaboneka kurugero rukwiye kandi abagakeneye ari benshi.

Ugushiraho imigambi yigisha abantu kwironderera ubuzi, imigambi mitomito y'iterambere ni zimwe mu nyishu zico kibazo.

Uyu mugambi, mu ntumbero ufise, harimwo gutuma imibereho y'urwaruka rutagira akazi yisununura kugira narwo rugire ico ruterereye mw'iterambere ry'igihugu.

Uje gufasha kandi urwaruka kugirango rube isoko ry'iterambere, rwiteze imbere rwo nyene mu vy'ubutunzi mu kurwanya ubushomeri. Uzofasha kandi mu gukomeza inyigisho zo gukunda igihugu mu rwaruka, no kugira uruhara mu bikorwa vy'iterambere.

Uyu mugambi uzokorera mu makomine yose y'igihugu.

Ihangiro n'uko horonswa akazi urwaruka rwize amashule rugera ku bihumbi amajana abiri (200.000) mu makoperative n'ayandi mashirahamwe asanzwe ahari, n'ubuzi bugera ku bihumbi amajana atanu na mirongo itanu (550.000) ku rwaruka rutize biciye mu kuropora umusenyi, amabuye, kubumba amatafari, gutera ibiti, n'ibindi.

Inama nshikiranganji imaze guhanaha ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje ariko irashiraho umurwi uzoyitosora neza, yongera isaba ko mw'ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi amakomine yose yofatwa kumwe.
Yasavye kandi ko umutwe w'iri tegeko wokwandikwa neza kuko uwu mugambi werekeye urwaruka rwose rutagira akazi muri rusangi ariko n'urwaruka rufise impapuro z'umutsindo rudasizwe inyuma.

3. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/068 ryo ku wa 13 Ndamukiza 2019 rishinga rikongera rigatunganya Urwego Mpuzabisata rujejwe kurwanya inzara hamwe no kwitaho ibijanye no gufungura neza,** yashikirijwe n'Ibiro vy'Umushikiranganji wa mbere

Urwo rwego rwashinzwe n' itegeko n°100/068 ryo ku wa 13 Ndamukiza 2019.

Kubera itegeko n°100/007 ryo ku wa 28 Ruheshi 2020 ryahinduye ukugene Reta yari yubatse ico gihe, hari vyinshi vyahindutse mu nzego za Reta. Urwo rwego rwatwarwa mu Biro vy'Icegera ca kabiri c'Umukuru w'igihugu ubu bitakihari, ubu rukukira Ubushikiranganji bwa Mbere.

Birakenewe rero gusubiramwo amategeko agenga urwo rwego kugirango rwisunge uko Reta itunganije ubu.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyunganira mu duce tumwe tumwe.

4. **Integuro y'itegeko risubiramwo itegeko n°100/06 ryo ku wa 09 Nzero 2013 rishinga Igisata kijejwe kwegeranya amakuru n'ibiharuro ndondantara hakoreshejwe ubuhinga bwa none (Bureau de Centralisation Géomatique),** yashikirijwe n'Ibiro vy'Umushikiranganji wa mbere

Ico gisata kijejwe gukurikirana ibikorwa vyose bijanye no kwegeranya no gushikiriza ibiharuro canke amakuru ndondantara bikorwa n'ibisata binyuranye, haba ku bari ngaha mu Burundi, mu karere canke mu makungu.

Kubera gihuriramwo ibisata bitari bike, igihe cashingwa cakukira Ibiro vy'Icegera ca kabiri c'Umukuru w'Igihugu, ubu butakihari.

Kubera itegeko n°100/007 ryo ku wa 28 Ruheshi 2020 ryahinduye ukugene Reta yubatse, ubu ico gisata gikukira Ubushikiranganji bwa mbere.

Birakenewe rero ko itegeko ritunganya ico gisata risubirwamwo kugirango ryisunge ingene Reta yubatse ubu kuko hari n'ubushikiranganji butari buke bwahindutse.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje ibanje kuyitosora mu duce tumwe tumwe.

5. **Integuro y'itegeko rishinga imirimo rikongera rigatunganya ishule ry'igihugu rijejwe gukarihiriza ubwenge abakozi ba Reta,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe abakozi ba Reta be n'akazi

Kuva iryo shule rijaho mu 2007, ryari rifise umurimo wo kwigisha abakozi ba Reta, guteza imbere ubushakashatsi mu bisata bikuru bikuru bijanye n'ingene ubuzi bwa Reta butunganijwe no kuba umuhanuzi w'ibisata vya Reta n'ivyegamiye Reta.

Iryo shule ryahavuye rihindura intumbero, rishiramwo inyigisho zitanga impapuro z'umutsindo.

Muri iki gihe, iryo shule rirakeneye gutunganywa gushasha kugira risubire ku ntumbero yaryo yo mu ntango , ryisunge kandi intumbero y'Umugambi w'igihugu w'iterambere kuko mu nkingi zawo zimwe zimwe, ushakako umuntu aba umutahe kubera ubumenyi bwiwe.

Nico gituma intumbero y'iryo shule ibwirizwa gusubirwamwo neza.
Gukura muri iryo shule inyisho zitanga urupapuro rw'umutsindo bizofasha iryo shule gushira umwete mu gukarihiriza ubwenge abakozi ba Reta, gutanga impanuro mu bisata bimwe bimwe, no kuraba neza ko inyigisho nkarishabwenge zitangwa ku bakozi ba Reta zifise akanovera, kugirango zigire ico zunguye mu buzi bwa Reta**.**

Nico gituma iyi nteguro yashikirijwe.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje bimwe muvyo yasavye hakaba harimwo ko iryo shule ryoyoborwa n'umuyobozi mukuru yunganirwa n'abayobozi, no gushinga imyaka itatu yo kugirango abariko biga ibizobaha urupapuro rw'umutsindo bashobore kurangiza.

Inama nshikiranganji yasavye kandi ko iyo myaka itatu iheze, horabwa ingene iryo shule ENA rikarihiriza ubwenge abakozi ba Reta, be n'ishule ISGE rikarihiriza ubwenge abakozi b'amashirahamwe yoja hamwe akagira ishule rimwe.

6. **Integuro y'itegeko rishinga imirimo rikongera rigatunganya ishule ISGE rikarihiriza ubwenge abakozi b'amashirahamwe**, yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe abakozi ba Reta be n'akazi

Kuva iryo shule rishingwa, imirimo yaryo yari :

- Gukarihiriza ubwenge abakozi b'amashirahamwe ya Reta be n'ayabigenga
- Gutunganya inganda n'amanama ku bakozi b'amashirahamwe ya Reta be n'ayabigenga
- Gutunganya be no kumenyesha ayo mashirahamwe ibikenewe vyoyafasha mw'itunganywa neza ryayo

Iyo mirimo niyo Reta yipfuza gusubira gukomeza muri iryo shule, ibijanye n'inyigisho za kaminuza zitanga impapuro z'umutsindo bikarekerwa amashule ya kaminuza asanzwe arivyo akora.

Iyi nteguro rero ije gusubiramwo itegeko ryahora rigenga iryo shule kugirango rigarukanwe ku ntumbero ryari ryashiriweho rigitangura, no kwerekana aho rikukira kuko ubu ari mu bushikiranganji bw'abakozi ba Reta n'akazi.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje ica isaba ko ibijanye n'inyigisho zitanga urupapuro rw'umutsindo vyose vyovanwamwo kuko rizokarihiriza ubwenge abakozi b'amashiramwe, hanyuma no mu nyigisho nkarishabwenge rizotanga rigashimikira cane ku bijanye n'ingene akazi nyezina gakorwa.

Inama nshikiranganji yasavye kandi ko iryo shule ryoyoborwa n'umuyobozi mukuru akunganirwa n'abayobozi.

7. **Integuro y'itegeko rishinga ikoreshwa ry'ibiti vy'ibishoro,** yashikirijwe n'umushikiranganji w'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi

Ibiti vy'ibishoro bikenerwa mu bikorwa vyinshi, haba mu kwubaka amazu, inzitiro, ibikwa, n'ibindi.

Ibishoro bikoreshwa biguma bigwira uko bukeye uko bwije, bigatuma amashamba agabanuka. Ingaruka zavyo n'ikena ry'inkwi, uguhona kw'amashamba, inkukura, isi ndimwa yononekara, ikirere gitosekara n'ibindi.

Mu ntumbero yo gukoresha ibiti neza no kugabanura ingaruka mbi ry'ikoreshwa nabi ryavyo, birakenewe ko hajaho amategeko agenga ingene bikoreshwa, hahereye ku bishoro kuko ubu nivyo bibangamiwe cane kurusha ibindi biti.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro yashikirijwe.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yasanze vyoba vyiza itegeko ribanje kubangira rikazogaruka harabaye imyiteguro ikwiye.

Yaciye isaba gusuzuma ko ingingo zagiye zirafatwa mu ntumbero yo gukinga ikoreshwa nabi ry'ibiti zikurikizwa , bikenewe zikomezwe.

Hokwiyumvirwa kandi ingingo zindi zotuma ibiti n'amakara bitirukirwa gukoreshwa, mukugwiza ibindi bibisubirira, nk'ivyuma bikoreshwa mu kwubaka ibikwa, umwuka wo guteka n'ibindi, abipfuza kubirangurira hanze y'igihugu bakoroherezwa.

Ubushikiranganji bujejwe ibidukikije n'ubujejwe intwaro hagati mu gihugu bwasabwe kwumvisha abakozi babukukira mu ntara no mu ma komine akamaro n'inyungu biri mu gukingira no kubungabunga ibiti.

8. **Urwandiko rwerekeye ingene umurimo w'ikigo CAMEBU wo kurangurira Igihugu imiti woshirwa mu ngiro**, rwashikirijwe n'umushikiranganji w'amagara y'abantu, no kurwanya ikiza ruhonyanganda Sida

Umurimo nyamukuru Reta yashinze Ikigo CAMEBU ni kurangura imiti nkenerwa ihinguwe mu buryo buzimbutse (médicaments génériques), ibikoresho vyo kwa muganga no mu masuzumiro bikenewe kugirango amavuriro n' ibitaro vya Reta n'ivy'abigenga hamwe n'amamangazini y'imiti bikore neza.

Ni muri iyo ntumbero mu mwiherero wabereye i Gitega muri Kigarama 2018 hasabwe ko Ikigo CAMEBU arico cokurikirana ibikenerwa mu mavuriro n'ibitaro vy'abigenga.

Imbere y'umwaka w'2018, Ikigo CAMEBU cashobora kugeza ku bice cumi n'umunani kw'ijana(18%) vy'ibikenewe.

Aho gitanguriye kwivuganira n'abahingura imiti, caraduze kugeza ku bice mirongo ine kw'ijana (40%) mu mwaka w'2020.

Aho gitanguriye gukoresha ingurane y'Ibanki y'Abarabu ijejwe iterambere ry'ubutunzi muri Afrika **(**BADEA), Ikigo CAMEBU carashoboye kugeza ku bice mirongo itandatu kw'ijana (60%) gusa vy'ibikenewe .

Kugirango ibikenewe mu gihugu cose biboneke, Ikigo CAMEBU gikeneye amahera arenga miliyaridi mirongo itatu na zine azofasha :

- Mu kugura imiti n'ibindi bikoresho vyo kwa muganga
- Kwubaka ububiko bw'imiti i Bujumbura, i Gitega n'i Ngozi
- Kugura amamodokari yo gutwara imiti

Uru rwandiko rusaba Reta ko yofasha kugirango Ikigo CAMEBU kironswe ayo mahera nk'ideni ariko ku nyungu itavuna, kikazoririha ku kiringo c'imyaka cumi n'itanu.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri urwo rwandiko, yasanze ko:

- Bikwiye ko Ikigo CAMEBU gishigikirwa kugirango amavuriro n'ibitaro vya Reta n'ivy'abigenga bironke ibikenewe
- Mu ntango Ikigo CAMEBU cobanza kikaronsa imiti ikwiye amavuriro n'ibitaro vya Reta mu nyuma kikabona kurangura iyikwiye kandi ku giciro ciza kugirango n'abigenga barangurire muri CAMEBU
- Ikigo CAMEBU nico gikwiye kuba urwinjiriro rw'imiti yose ikoreshwa mu Burundi harimwo n'iyiranguwe n'abigenga kugirango gisuzume ko ikwije ibisabwa
- Harakwiye kuba isuzuma ku bijanye n'ingene Ikigo CAMEBU gikora
- Ikigo CAMEBU ntigikwiye kurangura imiti ikorwa ku buryo buzimbutse gusa (génériques) gitegerezwa kurangura n'iyindi (spécialités).

Inama nshikiranganji yaciye isaba ko amategeko agenga Ikigo CAMEBU yosubirwamwo kugirango gishobore gukora neza.

## 9. Utuntu n'utundi

Inama nshikiranganji yarashimishijwe n'umwimbu ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu bwashitseko bivuye ku ngingo bwafashe mw'itozwa ry'amatagisi yo muri Komine be n'ivyashitsweko n'ubushikiranganji bw'ubudandaji mu bijanye n'idandazwa ry'isima ya BUSECO.

Inama nshikiranganji yarashimye kandi ko ingingo zafashwe mu ntumbero yo kurwanya ikiza Koronavirusi zagize akamaro cane, kuko ibiharuro vyarekana ko ubu abandura bagenda baragabanuka cane.
Ariko yasavye abenegihugu kudashira agati mu ryinyo ngo baryame umukondora zosi, ahubwo babandanye bubahiriza ngingo zose zifatwa mu kurwanya iyo ngwara.

Bigiriwe i Bujumbura, 18 Ruhuhuma 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi

Prosper NTAHORWAMIYE